**REPUBURIKA Y'UBURUNDI**

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**Ubunyamabanga Bukuru bwa Reta**

## ITANGAZO N°05/2026 RY'INAMA IDASANZWE Y'ABASHIKIRANGANJI YO KU WA GATANU IGENEKEREZO RYA 22 RUSAMA 2026

Inama idasanzwe y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa gatanu igenekerezo rya 22 Rusama 2026, i Bujumbura ku mugwa mukuru w'ubutunzi, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, Général Major Evariste NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama rukongera rukemezwa, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yarongoye ku ma genekerezo ya 19, 20 na 21 Rusama 2026, Icihwejwe kimwe rudende kikaba ari icari na co cizwe muri iyo nama nshikiranganji. Hihwejwe :

### Integuro y'ibwirizwa rishinga amafaranga Reta izokoresha mu mwaka wa 2026 ushira uwa 2027,

Yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta n'ubutunzi bushingiye ku buhinga bwa none

Iyi nteguro ije yisunga itunganywa ry'uburyo bukoreshwa ku kiringo c'imyaka myinshi, ikaba rero yateguwe ifatiye ku gitabu cerekana indinganizo y'uburyo igihugu kizokoresha kuva mu mwaka w'amafaranga wa 2026 ushira uwa 2027 gushika mu mwaka wa 2028 ushira uwa 2029.

Ije kandi mu ntumbero y'ishirwa mu ngiro ry'umugambi w'igihugu w'iterambere wasubiwemwo na wo ukaba wisunga Imbonakazoza y'Uburundi nk'igihugu cifashe mu mwaka wa 2040, giteye imbere mu mwaka wa 2060.

Iyi nteguro ije ishigikira ishirwa mu ngiro ry'ibikorwa n'imigambi yo mu bisata bitandukanye bishobora gutuma ubutunzi bwiyongera ku buryo burama no gushimangira ivyashitsweko n'indinganizo nshasha y'ikoreshwa ry'amafaranga y'igihugu yatangujwe mu mwaka wa 2023 ushira uwa 2024 aho uburyo butangwa ari uko bugiye kurangura igikorwa nyezina. Izofasha kandi mw'ishirwa mu ngiro



B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi

ry'umugambi wo kwegereza ubutegetsi n'ibisata vya Reta abenegihugu kugira ngo imibereho yabo irushirize kuba myiza.

Iyi nteguro irerekana ingene uburyo bugabanganijwe hagati y'ubushikiranganji, intara hamwe n'amakomine mu ntumbero yo gushigikira intwaro ku rwego rwo hasi.

Imigambi y'iterambere rero hamwe n'ibikorwa vy'ubushikiranganji butandukanye bishobora kurangurirwa mw'ikomine no mu ntara vyaratororokanijwe bikazoheza bigashirwa mu ngiro n'ibisata vy'ubushikiranganji bikorera mu ntara canke mu makomine.

Muri iyo ntumbero nyene, indinganizo z'ibikorwa n'uburyo bisaba mu mwaka wa 2026 ushira uwa 2027 irimwo ibikorwa bisaba uburyo bwa Reta, komine canke intara zishira imbere y'ibindi, ibikorwa bikuru-bikuru vy'ubushikiranganji, hamwe n'ibikorwa vyatowe mu ntumbero yo gushira mu ngiro indinganizo yerekana aho igihugu gishaka gushika mu vy'ubutunzi mu kiringo co kuva mu mwaka wa 2025 gushika mu mwaka wa 2027. 

Nk'uko ibwirizwa rigenga ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta ribivuga, ibiri muri iryo bwirizwa nyene biraba Reta, amashirahamwe Reta ifisemwo imitahe, amakomine, imigambi ifashwe mu mugongo n'abafashanya na Reta. Ni co gituma indinganizo z'ibikorwa n'uburyo bukenewe ku mwaka z'amakomine, iz'ibitaro, iz'amashirahamwe Reta ifisemwo imitahe hamwe n'iz'migambi ifashwe mu mugongo n'abafashanya n'Uburundi zateguwe, zikaba ziri muri iyi nteguro y'ibwirizwa rishinga amafaranga Reta izokoresha mu mwaka wa 2026 ushira uwa 2027.

Kugira ngo ibitigiri vy'abakozi ba Reta hamwe n'imishahara yabo bimenyekane atakwihenda kurimwo, amafaranga y'imishahara ategekanywa mu mwaka wa 2026 ushira uwa 2027 ku bakozi bose ba Reta yaharuwe hisunzwe urutonde rw'abakozi n'akazi bajejwe, hakurikijwe ingene ubushikiranganji hamwe n'izindi nzego za Reta bisanzwe bitunganijwe.

Uburyo butegekanijwe gukoreshwa mu mwaka wa 2026 ushira uwa 2027 bwaharuwe bufatiye ku biharuro vyerekana ko ubutunzi bw'igihugu buziyongera ku rugero

rw'ivy'ijana bitanu n'igice (5,5%) muri uwo mwaka nyene, mu gihe mu mwaka wa 2025 ushira uwa 2026 ivyo biharuro vyerekana ko ubutunzi bwiyongera ku rugero rw'ivy'ijana bine n'ivy'icumi indwi (4,7%).

Iryo duga ry'ubutunzi rizoba rivuye ku ngingo Reta ifata ziteza imbere ubutunzi mu bijanye no kubandanya imigambi ishira mu ngiro umugambi w'igihugu w'iterambere wasubiwemwo, aha twovuga nko kugwiza umwimbu biciye mu kuvomera imirima, kugwiza ibiterwa njabukamazi, kugwiza umwimbu mu gisata c'ubutare, kwubaka ibarabara ry'indarayi, n'ibindi.

Muri iyi nteguro y'uburyo butegekanijwe gukoreshwa mu mwaka wa 2026 ushira uwa 2027, ingingo zimwe zari mw'ibwirizwa rihari zarahinyanyuwe, harongerwamwo n'izindi nshasha mu ntumbero yo gukomeza icungerwa ry'amafaranga yinjira mu kigega ca Reta no kwongereza urugero rw'ayinjira, hamwe rero no kugira ngo amafaranga y'igihugu akoreshwe neza. Mu ntumbero yo kuduza urugero rw'amakori n'amatagisi no kurwanya ubusuma muri ico gisata c'amakori n'amatagisi, ingingo zitari nke zarashizwe muri iyi nteguro.



Muri uyu mwaka wa 2026 ushira uwa 2027, amafaranga yose yitezwe kwinjira arenga gato imiriyaridi ibihumbi bitandatu n'amajana atatu na mirongo itatu na zitatu (6 333,4), mu gihe mu mwaka wa 2025 ushira uwa 2026 ayinjiye yarenga gato imiriyaridi ibihumbi bitanu na cumi na zitanu (5 015,6), ni ukuvuga ko azokwiyongera ku rugero rw'ivy'ijana mirongo ibiri na bitandatu n'ivy'icumi bibiri (26,2%).

Ku vyerekeye ayategekanijwe gukoreshwa, arenga gato imiriyaridi ibihumbi bitandatu n'amajana icenda n'umwe (6 901,3), mu gihe mu mwaka wa 2025 ushira uwa 2026 yarenga gato imiriyaridi ibihumbi bitanu n'amajana atatu na mirongo itanu n'umwe (5 351,4), ni ukuvuga azokwiyongera ku rugero rw'ivy'ijana mirongo ibiri n'icenda (29%).

Muri uyu mwaka wa 2026 ushira uwa 2027, igihengeri kingana imiriyaridi amajana atanu na mirongo irindwi na zibiri zirenga gato (572,05) mu gihe mu mwaka wa 2025 ushira uwa 2026 yarenga gato imiriyaridi amajana atatu na mirongo itatu na zitanu (335,7).

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro ikanayunganira, yarayemeje, mu vyasabwe hakaba harimwo ibi bikurikira :

B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi

1) Mu gushigikira intara mu bijanye n'ubushobozi zahawe, kuzironsa n'uburyo bwo gushobora gukora aho kubukonganiriza ku cicaro c'ubushikiranganji gusa ;
2) Gushikana mu ntara ivyerekeye gutunganiriza abakozi ba Reta;
3) Gusanura inyubako za Reta zisanzwe zihari aho kwihutira kwubaka nshasha kandi izihari ziriko zirononekara ;
4) Gushariza ibibanza bihuriramwo abantu benshi mu bisagara binini na bitobito ;
5) Kugurira ivya nkenerwa ku basanzwe babihingura canke bavyimbura mu ntumbero yo kugabanura amafaranga asohoka ;
6) Gukomeza ingingo zituma abantu bagura imiduga ikoresha umuyagankuba maze muri kazoza bibuzwe kwinjiza imodoka zinywa igitoro ;
7) Kuduza cane tagisi irihwa mu kwinjiza umwambiro ugenewe gukoreshwa mu guhingura inzoga ziborera mu ntumbero yo guca intege abazihereza ;
8) Guheraheza isanurwa ry'ibibuga vyo mu kigo ca Kaminuza co mu Kamenge hanyuma hatunganywe Ikigo c'urwaruka mu Burundi ;
9) Kubandanya kwiyumvira impinyanyuro nshasha zotuma amafaranga yinjra mu kigega ca Reta yiyongera ;
10) Gukomeza umuco wo gukoresha neza amafaranga ya Reta ;
11) Kuriha ibirarane vy'intererano Uburundi buheranye mu muryango wa Afirika y'Ubuseruko.



Bigiwe i Gitega, ku wa 23 Rusama 2026

**Umunyamabanga mukuru wa Reta**
**Jérôme NIYONZIMA. –**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
CABINET DU SECRETAIRE GENERAL DE L'ETAT
PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE

B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi